Australian Government
Department of Home Affairs

AMEP
Adult Migrant English Program

Amashuri y'Ikingereza ku bemerewe ba bimukira muri Australia

IVYAHINDUTSE KUBIJANYE NA AMEP KUBERA COVID-19

Urasabwa kudatonda kwiga ku kigo ca AMEP mugihe wumva urwaye.

Kubera ingorane ya COVID-19 uburyo bushasha buzoshirwaho bwo kwigisha AMEP, nko gukoresha ubuyinga ngurukanabumenyi canke kwigira kure y'ishure.

Usabwa guhamagara AMEP service provider kugira muvugane uburyo bushasha.

Kwiga kubijanye na COVID-19 and its symptoms

URUTONDE RW'IKINGEREZA KU BIMUKIRA BAJE BAKUZE

Urutonde rw'Ikingereza ku Bimukira baje Bakuze (AMEP) rwigisha Ikingereza k'ubuntu ku bimukira bemerewe bakomoka mu muryango, abahinga hamwe n'imirwi yahawe viza y'impunzi.

UKUGENE URWO RUTONDE RUTANGWA

Urutonde AMEP rutangwa mu turere 58 twasezeranywe muri Australia yose, kandi rwategekanirijwe kwakira ukwiga kw'ababitura biciye mu gutanga uburyo butandukanye hamwe n'ukubuvanga, harimwo n'ukwigira kure y'abigisha. Ushobora kubona ido n''ido y'ukugene bigenda y'aho urwo rutonde ruri hafi yawe mu gihugu n'akarere ku rubuga ngurukanabumenyi ku murongo wa AMEP service provider.

Turafise inkuru zerekeranye na AMEP mu zindi ndimi. Kuronka inkuru zahinduwe mu rurimi rwawe, ronderera ku murongo wa information in other languages.

ABEMEREWE

Kugira ngo wemererwe muri AMEP, umuntu ategerezwa:

- Kuba aba muri Australia
- Kuba adakoresha ururimi rw'ikingereza nk'uko yasuzumwe n'abahinga ba AMEP babanje kuraba *uruja n'uruza rw'abantu (Indero)(Ikingereza kivugwa) Itegeko ryasohotse muri 2017*
- Atigeze asuzumwa n'igisata nk'aho afise ikingereza co gukoresha canke ico congereza akiyobora neza, kubw'intumbero z'uguhabwa viza (ku bafise visa ya mbere)
- Yemezanya n'igihe yahereye kwandikirwa kandi n'uguheraheza ikiringo cashinzwe (raba *ukugene bipanzwe* aho hepfo)
- Kwuzuza n'imiburiburi kimwe muri ibi bikurikira:
    - Kuba ufise visa y'igihe cose canke ube wemerewe kugira vizaa y'imfatakibanza
    - Kuba wemerewe gufita vizaa y'imfatakibanza nk'uko vyemezwa mu mirwi y'amategeko y'abafise visa mfatakibanza
    - Kuba warigeze kuba ufise uburengenzira bwo kwinjira canke visa ihoraho kandi ukaba warahindutse ukaba umwenegihugu wa Australia
    - Iyo uwo muntu aba afise imyaka iri musi ya 18, akaba afise n'imiburiburi umuvyeyi umwe yigeze kuba afise uburengenzira bwo kwinjira mu gihugu igihe cose avyishakiye canke afise viza y'ibihe vyose.

Abari musi y'imyaka 18

Abimukira n'abinjira b'impunzi bari hagati y'imyaka 15 na 17, badakoresha ururimi rw'Ikingereza kandi ivyankenerwa vyabo bidatorerwa umuti biciye mu mashuri asanzwe, na bo nyene barashobora kwemererwa kuba muri uru rutonde

Umwanya

Uru rutonde rukurikira ni rwo rukoreshwa:

- Kwandikwa mu mezi atandatu (imyaka 18 n'iyirenga) canke amezi 12 (musi y'imyaka 18).
- Gutangura ivyigwa mu mezi 12.
- Guheza ivyigwa mu myaka itanu.

Abatanga ibikorwa vyo muri AMEP bashobora gusaba kwongerereza ikiringo kubwo abarwayi n'abandi barwayi bashobora kuza.

Abasaba bigwa umuntu ku giti ciwe kandi bivane n'*amategeko* ajanye *n'uruja n'uruza rw'abantu (Indero) 1971.*

IRERERO C' ABANA

Irerero c' abana ririho ku bantu ba AMEP bafise abana batarashitsa imyaka yo gutangura ishuri. Irerero c'abana vyarapanzwe n'abatanga ibikorwa kuri AMEP kandi iri hafi y'ishuri y'abanwanyi aho bishoboka.